Umushikiranganji w'imigenderanire n-amakungu n'ugufashanya n'ayandi makungu ahura na bamwe mu Barundi baba mu Budagi

Isango: 12 Munyonyo 2010

Ikibanza: Ikirimba c'uwuserukira Uburundi mu Budagi

Umwanya: Isaha cumi na zibiri zo kugoroba

Intangamarara

Abashitsi n'abari batumiwe babanje kuraba ikirimba c'uwuserukira Uburundi mu Budagi, hanyuma bashikirizwa ivyicaro, baba baratera ryarenga, bashimikira ku kuntu Abarundi benshi badashira hamwe. Bafatiye ku Bushinwa (Chine), basanze yuko Abashinwa bari mu mahanga barazwa ishinga no kurahura ubwenge kugirango bazobukoreshe mu gihugu cabo. Bahavuye babona yuko abandi banyamahanga bafatana mu nda, bagasenyera ku mugozi umwe. None ikibuza Abarundi baba hanze gushira hamwe, bagasenyera ku mugozi umwe, ni igiki? Ingorane nyamukuru ni ukudatumanatumanako amakuru. Ivyo na vyo bikagira izindi ngaruka mbi kuko abantu baca bakorera ku bihuha, canke ivyo biyumvira. Hariho n'abiyumvira ko kuva bavuye mu Burundi, iterambere ryaciye rihagarara. Hariho n'abatazi ko mu Buyenzi hazoba "quartier" nshasha, yubatswe ku buryo bwa kijambere, yuko inkungugu izoguma ituma muri Mutanga Nord, mu Nyakabiga. Abandi nabo, baraciyumvira yuko Kamenge yagumye imeze kwa kundi bayisize. Isoko nini iriko irubakwa muri iyo Zone. Abibaza yuko umutekano wagumye uhungabana, abategetsi bakigira sindabibazwa baracari benshi kuko bataronka inkuru zitomoye, zijanye n'iterambere hamwe n'ibikorwa biriko birarangurwa mu gihugu.

Kwakira abashitsi

Umushingantahe ahagarariye vy'imfata kibaza Uburundi mu Budagi, **Barthélemy Mfayokurera**, ni we yakiriye abashitsi, ahera mu guha icicaro Umushishikiranganji w'imigenderanira, nyakwubahwa **Augustin Nsanze**; yongera aha icicaro nyakwubahwa **Egide Nikuriyo**, Umuyobozi mukuru ajejwe imigenderanire y'Uburundi n'Uburaya hamwe na Amerika. Yarabandanije aha ibibaze abandi batumire bari baje bava mu mihingo itandukanye y'Ubudagi. Bamaze kuzimya inyota, arahava arabashikiriza ijambo. Aramukije amahoro, abari aho babaye nk'abadacangamutse, na we arababababaza ati mbega ko mutishura, muratinya amahoro? Mugushikirza inzimano, yagize ati nimwihereze urwo rukanywa, ati si Kiyoga ndakunyoye, ni inzoga izananye iteka, iteka umushikiranganji yateye Abarundi bose baba mu Budagi. Musome musogongere, mukutse akanyamuneza, niyo umukenke wagoma, muwugomoze ivyiyumviro bishasha mwungutse, birama, bigateza imbere Abarundi bose. Ati ubu ntagukorera mu kinyegero, nta Diplomasi yinyegeza, ifobeka ibintu musi y'ameza, kuko ibinyegezwa vyose, biratinda bikamenyekana. Arakomeza ati munywere mu nzu, mungendere mu nzira, inzira

y'amahoro n'ubumwe, musasagaze iteka, iterambere ridusage, ryuzuye ubuhinga n'ubutwari mwarahuye, maze bize bishware Uburundi. Ahejeje gushikiriza ijambo ry'ikaze, arahava araramutsa amahoro yongerako, ko ku kirimba c'i Bwami, ibintu bitigera bikena.

Ijambo ry'Umushikiranganji

Umushikiranganji yabanje gushima igishika bamwakiranye. Yabandanije atera akamo kandi yibutsa ko Abarundi baba hanze, bafise uruhara runini mw'iterambere ry'igihugu. Ati Uburundi burakenye, ariko ntawuhora aho yabaye. Ubu turiko turarondera abarwizatunga baza mu Burundi. Abarundi bari hanze turakeneye ko boza gutera agacumu k'ubumwe, mu gukorera mu Burundi, haba mu bikorwa vy'iterambere, haba mu budandaji canke mu yindi migambi. Yabandanije ahumuriza aboba bibaza yuko atacokorerwa mu Burundi. Ati zana imitahe yanyu, si mu Burundi gusa, mushobora kuyishira mu bihugu vyo mu karere k'ubuseruko bwa Afrika, Tanzaniya, Kenya Urwanda, Ubuganda. Umushikirananji, yarahimirije ababa hanze, abasaba kuzana ubuhinga bwa none, kugirango igihugu kirangwe n'iterambere.

Yarongeye arashikirije imigambi iriko irarangurwa mu gihugu. Abarundi bariko barijukira uburimyi mu gutera ibitoke, ivyamwa n-ibindi kuko baramaze kuronka isoko mu makungu. Mu bijanye no gucukura ubutare, Leta yaramaze gutanga uruhusha rwo kurondera ubutare canece cane uko bungana. Ntawogira inkeka y'ubutare; kuko muri Tanzaniya buriyo, muri Kongo gushika muri Zambiya, ati none bwoba bwasimvye Uburundi gute? Leta iriko irarangura ibikorwa, ariko harakeneye abantu bigenga, kugirango bafashe gutsimbatanza ibikorwa vy'iterambere. Niho na twe tuzoronka ico dushira ibihugu ducuditse muri uwo muryango w'ubuseruko bwa Afrika. Ivyo na vyo ntibisaba uburyo bwinshi, bisaba umutima, umutima wo gukunda igihugu n'abakibamwo. Impungenge n'intambamyi z'abazana imitahe ziriko zirahava, kuko ubu, hariho "Agence de promotion de l'investissement" yorohereza abazanye imitahe.

Mu gusozera, Umushikiranganji w'imigenderanira n'ayandi makungu, yaramenyesheje y'uko urugendo yagize rwagenze neza.

Amajambo yo gukenguruka hamwe n'ayo gushikiriza ivyiyumviro

Umushingantahe **Emile Manirakiza** na we ati "Ikinyoni kigurutse kitavuze bacita icana". Arahava arashimira Umushikiranganji ko yaje kuraba Abarundi baba mu Budagi. Ku vyerekeye kujana imitahe mu Burundi, yasavye yuko abantu bazanye imitahe bokworoherezwa, nk'uwusavye ijambo akarironka, uwufise ico ashikiriza akumvirizwa, kuko ingorane n'ibivuna inkokoro bibera i Bujumbura, kuberako imigambi ya politike idakurikizwa. Yakomeje avuga ati abanyamahanga ntibobandanya kudutwara itunga

kubera ko Leta itorohereza Abarundi baba hanze, bazanye imitahe mu Burundi. Uyo mushingantahe yaheraheje ashimimira Umukuru w'igihugu n'abamufasha mu migambi y'iterambere iriko irarangurwa.

Bamwe mu bari bakoraniye aho, barabandanije gushikiriza ivyiyumviro kuri ico kibazo c'Abarundi baba hanze, bipfuza gushigikira iterambere ry'igihugu.

Umushingantahe **Daniel Gaboryaheze,** yarasavye ijambo kandi ararironka. Abanza gushimira umushikiranganji ko yateye iteka Abarundi baba mu Budagi, ngo baganire, bashikirize iryo bagona. Yavuze yuko asavye Nyakwubahwa Umushikiranganji, ko yomushikirira Umukuru w'igihugu, akamubwira ko Abarundi bo mu Budagi, bamukengurukiye, bamushimiye kuko yahinduye Umupfasoni yaserukira Uburundi hano mu Budagi. Ati aho mubona, yaramfatiye amaboko i mugongo. Kubona mfata urugendo rw'ibirometero amajana atandatu (600km) hanyuma ngataha zirayoye, nje gusaba ko anshirira umukono ku mpapuro zisaba yuko umuryango wanje woza. None haheze imyaka itatu, intuntu yaranyishe, kubera we kandi ari we yategerezwa kubimfashamwo. Ati ndakengurutse bimwe bivuye ku mutima mu kubona ko mwa**mu**hinduye, kuko abari bamaze kumera nkanje bari babaye umurengera. Arahava aramutsa amahoro.

Umushikiranganji ntiyatevye kumuhumuriza, mu kumuha inyishu itomoye. Yavuze yuko hariho abaserukira igihugu mu makungu bagenywe. Kuva ubu, twabahaye ikiringo c'amezi atandatu (6 mois) kugirango turabeko babikwiye, ko barangurana ubwira n'ubwitonzi amabanga bashinzwe. Bigaragaye yuko batabishoboye, bazohava basubirirwe n'abandi babishoboye, kugirango ntihagire ibintu vyononekara. Yabandanije yishura ibibazo vyerekeye kworohereza Abarundi baba mu mahanga. Yavuze yuko intambamyi ya mbere ari igiturire. Kandi iterambere na ryo ntirishoboka iyo igiturire, ka "mwana wa mama" na "ncishirizamwo", bitavuyeho. Leta rero yarashizeho **OBR**: "Office Burundais des Recettes" mu bushikiranganji bw'ubutunzi. Muri bino bihe, ikigega ca Leta kiriko kirabomboka. Yabandanije yerekana ko igihugu gitezwa imbere na bene co. Yasozereye ashira mu muhango abantu bose bamurondera, bipfuza umubonano, yuko azobakirana urweze.

Abari aho, babandanije ikiganiro bunganira umushikiranganji. Bavuze yuko kugirango Abarundi baba mu Budagi, naho baba mu turere dutandukanye, bashobora kwunga ubumwe, Ambassade ikaborohereza mu vyerekeye gutumatumanako amakuru, ariko na bo nyene, ntibasigare inyuma mu kwikora ku buhinga bwa none, kugirango bashobore kwama bafise inkuru y'imvaho. Ico bose bashimikiyeko kijanye n'iterambere, ni uko Uburundi bwoshira imbere kugwiza umuyagankuba. Kukaba nkako, iterambere ntirishoboka iyo amasoko ntanganguvu atabonetse. Ibikorwa vy'iterambere

bizoshigikirwa no gukurikiza hamwe n'ukwubahiriza amategeko. Guhishirira ikibi, birakwiye kuhava, uwagikoze agahanwa, abanyuruza itunga rya Leta, bagahanwa cane cane bagasubiza ivyo banyuruje, abantu bakamenya ko umwivyi n'umureretsi bahanwa co kimwe. Ikindi ciyumviro bashimikiyeko ni uko hobaho amasezerano hagati ya Leta y'Ubudagi n'iy'Uburundi, kugirango Abarundi bashobore kuronka ubwenegihugu bubiri.

Ijoro ryitereye, umushingantahe ahagarariye vy'imfatakibanza Uburundi mu Budagi, yarahavuye araha irembo abari bitavye ubutumire. Abasaba yuko bose bogenda barivuga amazina, bati tuvuye mu Burundi. Abashitsi barahavuye basiga inzira amavuta. Aho hari igihe c'isaha zitatu n'igice zo mw'ijoro.

Abitavye ubwo butumire:

1. Nyakwubahwa Nsanze Augustin
2. Ndikuriyo Egide
3. Mfayokurera Barthélemy
4. Ntindekure Médard
5. Nimpagaritse Germain
6. Ramadhani Mrazi
7. Manirakiza Emile
8. Gaboryaheze Christian
9. Gaboryaheze Daniel
10. Gaboryaheze Robert
11. Ndakoze Daphrose
12. Nitereka Isaac
13. Fiankan Danielle, Ivoirienne

Uwafashe icegeranyo,

Germain Nimpagaritse,
Ambassade du Burundi.